# UBUTUMWA BWA NYENICUBAHIRO, VARISITO NDAYISHIMIYE, UMUKURU W'IGIHUGU C'UBURUNDI, KU MUSI WO GUTANGUZA ICESE INYIGISHO ZIJANYE N'UKWITEGURIRA ITORA RY'UMUKURU W'IGIHUGU RITEGEKANIJWE MU MWAKA WA 2027.

*Gitega, ku wa 22 Ndamukiza 2026*

*Mudukundire tubanze duhe icubahiro Imana Mushoboravyose, Yo yama na ntaryo idushoboza kurangura ibikorwa bikomeye ku neza ry'ihanga ryayo n'abayo, tugahuza imitima n'inama vyo kubaka igihugu kigendera ku mategeko n'ingendo ya demokarasi. Nihabwe icubahiro ibihe vyose !*

- **Bubahwa mwese mukoraniye hano,**
- **Benegihugu mwese,**
- **Batumire bahire,**
- **Bashingantahe, bapfasoni**
- **Ncuti z'Uburundi,**

1. Dukoraniye ngaha kugira ngo dutanguze icese inyigisho zijanye no kwitegurira itora ry'Umukuru w'igihugu, ritegekanijwe mu mwaka uza wa 2027.

   Izi nyigisho zikaba zizohabwa abenegihugu bose muri rusangi, ariko canecane abari mu migwi itandukanye igize igihugu cacu c'Uburundi, kugira ngo bategurwe kandi bitegure kuzokwitaba itora ry'Umukuru w'igihugu ata n'umwe akumiriwe. Kubona rero mwashoboye kwitaba ibi bikorwa, ni ikimenyetso kuri twebwe c'agaciro muha intwaro ya demokarasi mu gihugu cacu c'Uburundi.

2. Amatora twovuga ko ari uburyo abenegihugu bahitamwo abayobozi babo ata gahato canke igitsure, bakihitiramwo uwo babona azobagirira akamaro baravye imigambi yiwe ashira imbere.

Amatora ni inkingi ya demokarasi n'ubutegetsi bwubahiriza amategeko, kuko atuma habaho ukubisikanya ku butegetsi mu mahoro.

3. Nk'uko biri mw'Ibwirizwa Shingiro rigenga igihugu cacu, ***intwaro ya Repuburika y'Uburundi ikomoka ku benegihugu, ni bo bayishinga kandi ni bo iharanira.***

Mu ngingo yaryo y'indwi, Ibwirizwa Shingiro riratomora neza ko ***abenegihugu ari bo soko ry'ubutegetsi mu gihugu, ni bo bitorera ababaserukira ngo barangure amabanga y'intwaro, canke bakifatira bo nyene ingingo zizorongora igihugu biciye mu matora***.

4. Ayo matora ategerezwa kugirwa ku biringo bizwi, mu mwidegemvyo kandi hubahirijwe amategeko, ku buryo abatora bose bashobora kwitorera ababaserukira, bose bagafatwa kumwe, ata wimiriwe, kandi vyose bigakorwa ku mugaragaro, bigatuma hashobora kuba ihiganwa ribereye mu vya poritike.

5. Amatora si igikorwa gisanzwe, ni umwanya uhambaye aho umwenegihugu wese aronka akaryo ko gutanga iciyumviro ciwe kiri ku mutima biciye mu matora, ku kugene igihugu corongorwa. Igikorwa nk'ico rero kirasaba ko abegwa n'amatora bamenya akamaro kayo, mu buzima bw'igihugu no mu gukomeza intwaro ya demokarasi.

**Barundi, Barundikazi,**
**Batumire bahire,**
**Ncuti z'Uburundi**

6. Izi nyigisho turamutse dutanguza uno musi ni ngirakamaro, mw'itunganywa ry'amatora no mu gukomeza intwaro ya demokarasi.

7. Mu nyigisho z'uno musi, twashaka dushimikire ku ntambamyi zikunda kwibonekeza mu bihe vy'amatora, turabe n'umuti wo gukinga ingorane zishobora gushika:

a) ***Ubwambere, Intambamyi zijanye n'amahoro n'umutekano***:

Murazi ko inkingi ya mbere mu gikorwa cerekeye amatora ari umutekano; aha ndavuga umutekano mu gihugu no mu mitima y'abantu.

Iyo twimirije amatora murazi ko hakunda kuba ibihuha vyinshi, ivyo na vyo birahungabanya imitima y'abantu. Muri kahise, amatora yegereje, twaragiye turumva abavuga ivya ba « Rukoti ».

Ahandi n'aho ngo hari abagenda baratera « udushinge » abantu. Mu mihingo itari mike vyarahagaritse imitima abantu.

Igihe c'amatora ni nk'igihe umuvyeyi aba yibungenze inda y'imvuka. Kuva kera na rindi, uwo mukenyezi yarubahwa akongera akubahirizwa. Baramurinda ibiteye ubwoba, bakamurinda kumoterwa nabi no kwipfuza akantu ntakaronke.

Muri iki gihe dutanguye kwitegurira itora ry'Umukuru w'igihugu, igihugu naco ni nkuko kiri ku mbanyi y'imvuka.

Umurundi wese aho ari, ahamagariwe kubungabunga amahoro n'umutekano mu kwirinda ico cose cotera uruhagarara mu gihugu.

Turasavye Abarundi guhera ubu birinde insaku n'ibihuha mu gihe co kwitegurira amatora, ku musi w'itora n'inyuma yaryo.

Itora ry'Umukuru w'igihugu twimirije, turiko turaryitegurira, mu burere duhana urubibe havugwa umutekano muke mu bice bimwe bimwe. Hari n'ababanyi b'Uburundi biboneka ko ibikorwa vyabo atari ibishakira amahoro n'umutekano igihugu cacu. Ni ukwama turikanuye rero, mu gukingira imbibe z'Uburundi.

b) ***Ubwakabiri, Intambamyi zijanye n'uburyo bwo gutunganya amatora:***

Ni vyo, igikorwa co gutunganya amatora gitwara uburyo bwinshi; ariko twaratahuye ko amazi masabano atamara imvyiro.

Hano mu gihugu cacu, kuva mu mwaka wa 2015, aho tuboneye ko abo twibaza ko bariko baradufasha igikorwa co gutunganya amatora,

ahubwo tugasanga ni bo bariko barayaburabuza mu kwimana uburyo bari bemeye bwo kuyashigikira, Uburundi bwaciye bufata ingingo yo gutunganya amatora bukoresheje uburyo bwabwo, ata kuzera inze.

Ubwo butunzi na bwo buva mu makori n'amatagisi ndetse no mu ntererano y'umurundi avyipfuza.

Aha rero, turateye akamo umutangakori wese aho ari, gutanga ikori ku gihe, abajejwe kwegeranya amakori na bo bakorane ico gikorwa ubwira bwinshi n'umutima wo gukunda igihugu, batoze ikori barijana mu kigega ca Reta, badashira mu mifuko y' abo.

c) ***Ubwagatatu, Intambamyi ziterwa no kutubaha no kwubahiriza amategeko:***

Amatora aringanizwa hisunzwe amategeko.

Baba abatora canke abitoza, vyose babikora mu rutonde, hakurikijwe amategeko.
Ubu rero abegwa n'amatora bose, bahamagariwe kumenya neza ibiri mu mategeko yose agenga amatora kuko ni yo atomora ivyo umuntu arekuriwe n'ivyo ategerezwa gukora.

Mu kwitegurira itora ry'Umukuru w'igihugu ryimirije gutunganywa mu mwaka wa 2027, hazoba igikorwa co kubandanya higishwa amategeko agenga amatora. Abarundi twese tuyategere, tumenye ico umwe wese arekuriwe na kirazira, ndetse n'ico ategerezwa gukora.
Aha rero noshimikira ku banyamigambwe kuko ni bo bakunda kuzana impari, bipfuza guca kuruhande. Ni muri iyo ntumbero hariho umugwi w'abahinga bajejwe gukurikirana ibikorwa vyose bijanye n'amatora.

Turizeye ko nk'ubu, umugambwe wose umaze gusuzuma amategeko ajanye n'ibisabwa uwitoza kugira uwo bazoshira imbere abe akwije ibisabwa, ntihazokwiririrwe haraba impari. Ni co kimwe n'abazoba bipfuza kwitoza ku giti cabo.

d) ***Iyindi ntambamyi igira kane ikunda kwibonekeza, ni ugukurikirana igikorwa c'amatora:***

Aha mu burundi, duhiriwe duhishije, amatora abarundi bose barayitwararika, kandi ingene ategurwa biraboneka ko abera ku mugaragaro.

Ni co gituma twosaba ko abari ahari utuzu tw'amatora boguma baraba neza ko vyose bikorwa mu rutonde kugira ntihagire abatahana akangonongono.

Mugihe habonetse agasembwa, twipfuza ko koca gatorerwa umuti ubwo nyene kugira ntitureke ngo abantu bidodombe ari uko amatora yaheze, bariko bavuga ivyayavuyemwo.

Aha nsaba cane cane abajejwe gufasha umugwi wigenga ujejwe amatora ari bo barorerezi bigenga n'ibinyamakuru. Umumenyashamakuru ni we yabitoye ngo bitwa abafasha b'abahagarikiye urukino ari yo matora. Mbere twofata ko ibinyamakuru navyo ari hamwe umuhagarikizi w'urukino ahinyuriza ahabereye amakosa.

e) ***Ubwagatanu, iyindi ntamabamyi ni uko hariho abo bigora kwemera aho intahe ishize:***

Kwemera gushira aho intahe ishize ni ingendo iranga demokarasi mu gihugu kandi ni bwo bugabo: mu matora uwuhiganwa wese agenda mw'ihiganwa yiteze gutahukana intsinzi.

Ariko nk'uko tubizi, hahiganwa babiri hagatsinda umwe. Umwe wese rero mu bimirije guhiganwa yitegurire kwakira ibizova mu matora.

Aha nashaka mvunire akagohe abipfuza guhiganirwa ikibanza co kurongora igihugu; bamenye ko amatora atangura gutegurwa bwaraye bukeye ayandi aheze kuko abanegihugu baraba ico umaze n'inyifato uba ufise.

Mere nk'umutumwa Paul mw'ikete ryiwe ryambere yandikiye Timote, yavuze ati:

"Umuntu niyagomba ibanga ry'ukuba umubwiriza, azoba yipfuje igikorwa ciza. Nico gituma umubwiriza ategerezwa kuba:

- Umuntu azira akanenge
- Umugabo w'umugore umwe gusa
- Umuntu amenya kwigerera
- Umuntu w'ubwitonzi

- Umuntu yikwije ubupfasoni
- Umuntu akunda kwakira neza abashitsi
- Umuntu azi kwigisha
- Ntabe imborerwa canke umusinzi
- Ariko afise impuhwe, ntagire amahane, ntaganzwe n'umwina w'ivyyisi
- Yomenya gutunganya urugo rwiwe n'ukuzigama abana biwe mu bugamburutsi no mu bupfasoni bwose

f) ***Iyindi ntambamyi ni abantu bigora kwitaba amatora:***

Mu gihe c'amatora haba abatora n'abitoza. Kugira ngo witoze ubwirizwa kuba ufise uburenganzira bwo gutora.

Hariho abantu bafata minenerwe ibijanye n'amatora.

Burya witavye amatora wongereza amahirwe y'uko hatorwa uwo wipfuza, wasiba naho ukongereza amahirwe uwo utipfuza.

Uja gutora canke utagenda, abagiye baragutorera kandi uwo batoye ni we akurongora.

Muti mbega basivye bose ntihagire uwutora vyogenda gute? Umwasi w'igihugu ni we gusa yokwipfuza ivyo kuko ingabo zitagira umutware ziba zibaye impehe nsa, nico gituma uwisivye amatora aba yipfuriza abarundi kuba impehe, uwo aba ari umwansi wabo.

Ni naco gituma muri iki gihe twitegurira amatora, ari co gihe co gutsimbataza wa mutima wo gukunda igihugu no kugitorera indongozi zibikwiye.

g) ***Gukurikiza ikirangamisi c'amatora:***

Amatora ni nk'urukino. Rufise igihe rutangurirako n'igihe ruherezako.

Ni co gituma abegwa n'amatora bose, canecane abimirije guhiganwa, ko bokwitaba amatora bubahirije ikirangamisi c'amatora.

Ntihagire abavuga ngo nabuze ibi canke biriya, umwe wese nabirondere kare.

Akarorero, nta n'umwe atazi ko akenera karangamuntu, uwutagafise ubu nyene yoca aja kukarondera.

Birazwi ko hariho ingwati mu kuja kwitoza, abazokwitoza ni mube rero murahumbira kare.

h) ***Iyindi ntambamyi ikunda gushika ni ikibazo co guhanahana amakuru:***

Burya mu bintu vyose vyo kwitonderwa, ururimi ni rwo ruza ubwambere. Ukuri guca ku rurimi, n'ikinyoma kigaca aho nyene. Ni co gituma gutanga amakuru atohojwe neza ari yo ngendo nziza iranga demokarasi.

Ku ntambwe yose y'itora ryimirije, abegwa na ryo bose basabwe kwama na ntaryo bahanahana amakuru. Amakuru atanzwe neza atuma haba ugusenyera ku mugozi umwe, kubona kumwe iyo abantu bavuye n'iyo bariko baragana, bigatuma haba ukwizerana hagati y'abahiganwa.

**i) Iyindi ntambamyi tumaze kubona mu gihe c'amatora ni ukutavugana hagati y'abahiganwa, nkuko umengo ni abansi.**

Mere nka wa murirrimvyi ngo kutavugana ni yo nzira y'amazimwe.

Ico nosaba, ni ugukomeza ibiganiro hagati y'imigambwe ya politike kugira habe ukwizerana.

**Barundi, Barundikazi,**

**Batumire bahire,**

**Ncuti z'Uburundi**

8. Musabwa kumenya rero ko kugira ngo amatora afashe mu guca inzira y'ukwubaka igihugu kirangwa na demokarasi n'ubutungane, hari ibintu nkoramutima dutegerezwa kuguma twitwararika:

- **Ubwa mbere**: Nk'uko vyagenze mu matora igihugu catunganije mu mwaka wa 2025, amatora ategekanijwe mu mwaka wa 2027, azoringanizwa hakoreshejwe uburyo bwo mu gihugu, ata kuzera inze. Mugabo, abipfuza gushigikira Uburundi muri ico gikorwa c'amatora, barahawe ikaze. Ariko, tubasavye ko interterano zabo bozitanga bubahirije ubwigenge bw'igihugu cacu**.**

- **Ubwa kabiri**: kugira ngo inzira ya demokarasi igende neza, itunganywa ry'imigambwe

n'ibikorwa vyayo, bitegerezwa kugengwa n'amategeko kumwe.

- **Ubwa gatatu**: mu matora ayo ari yo yose, ubutungane ni inkingi ya demokarasi ihambaye cane. Kukaba nkako, ubutungane ni bwo butegerezwa kurangura igikorwa kibwega c'ugutatura amatati hagati y'abahiganwa mu vya poritike.

- **Ubwa kane:** mu guteza imbere demokarasi, ibimenyeshamakuru birafise uruhara ruhambaye. Mu kiringo c'amatora, ibimenyeshamakuru bikoze uko bitegerezwa, biba bifashije cane igihugu, mu gihe bitemeye kuba urubuga rw'abitwaza inyifato zifise intumbero yo gusambura igihugu.

- **Ubwa gatanu:** Mu kwigisha ingendo ya demokarasi, amashirahamwe y'abenegihugu arafise uruhara ruhambaye mu guha umuco abenegihugu, ku ruhara bafise mw'iterambere ry'igihugu no mu kwitorera indongozi zibabereye. Ariko, mu kugira urwo ruhara, amashirahamwe y'abenegihugu ategerezwa kwirinda gukoreshwa n'abanyaporitike, kugira ntasange yahindutse ikiraro c'abashira imbere inyungu zabo gusa gusumvya iz'igihugu.

- **Ubwa gatandatu:** Kugira ngo amatora atunganywe neza, bisaba ko hashingwa amategeko afasha gukinga no gutatura amatati. Ayo mategeko Reta yarayashinze yongera irayamenyesha abenegihugu. Turararitse abo vyega bose ngo babandanye bayasigurira abenegihugu, bayamenye kandi bayagendere.

Ukwigisha ni uguhozako.

- **Ubw'indwi:** Kubera mu Burundi hariho inzego z'ubutegetsi zikora neza, bizotuma hatunganywa itora ry'Umukuru w'igihugu mu mahoro; ivyo bikazotuma igihugu cacu kibandanya kiba igihugu kigendera koko mu nzira ya demokarasi.

- **Ubw'umunani:** Mw'itora ry'Umukuru w'igihugu twimirije gutunganya, turahaye ikaze abarorerezi mvamakungu; bazoze bikurikiranire ubwabo ingene iryo tora rizoba riringanijwe. Tukabasaba ko bokora ico gikorwa bubahirije amategeko n'imico y'Abarundi.

**Barundi, Barundikazi,**

**Batumire bahire,**

**Ncuti z'Uburundi**

9. Twagomba kandi tumenyeshe, twongere twemeze ko itora ry'Umukuru w'igihugu ritegekanijwe mu mwaka wa 2027, rizoringanizwa hubahirijwe ibi bikurikira:

- **Ubwa mbere**: Itora rizotunganywa ku buryo uwuhiganwa canke uwutora azokworoherezwa ata wusumvye uwundi;
- **Ubwa kabiri**: Inzego za Reta zizoguma ataho zihengamiye, na canecane mu bijanye n'ukwiyamamaza;
- **Ubwa gatatu**: Abitoza bose n'imigambwe yose bazofatwa kumwe, na canecane mu bijanye n'ugushobora kugira ijambo mu bimenyeshamakuru;

- **Ubwa kane**: Umwenegihugu umw’umwe wese, akwije ibisabwa n’amategeko yipfuza kwitoza, arafise uburenganzira bwo kwitoza;

- **Ubwa gatanu**: Ukwiyamamaza ntibikwiye kuba igihe co gushirukanya no gukoresha imvugo ikomeretsa abo muhiganwa, ahubwo coba igihe co gushikiriza imigambi itomoye yubaka igihugu;

- **Ubwa gatandatu**: Indongozi mu ntwaro zisabwe kubandanya zitunganiriza bose ataho zegamiye; gurtyo uwurushijwe ntaronke ivyitwazo ko yatsinzwe kubera ata tunganirijwe n’indongozi mu vyo yar’afitiye uburenganzira;

- **Ubw'indwi**: Abarongoye intwaro mu ma komine, bahamagariwe gusuzuma ko abenegihugu bakwije imyaka yo gutora, batari baranditswe mu matora aheruka kubera batari bwakwize imyaka yo gutora, canke abahungutse, ko bafise karangamuntu.

  Kuko iyo karangamuntu ni yo izobaha uburenganzira bwo kuja ku rutonde rw'abazotora. Gutunga karangamuntu n'itegeko kandi n'uburenganzira. Ntihagire rero uwuzosamara ngo asange yiyatse uburenganzira bwo kwitorera Umukuru w'igihugu.

- **Ubw'umunani**: Abagize inyabune bazoguma barikanuye kugira ngo amahoro n'umutekano bigume bikomejwe.

10. Mu bitegerezwa kuturanga twese nk'Abarundi mu gihe c'amatora, dusabwa kwitaba amatora mu mahoro, ata gutinya kandi ata gahato.

11. Ku bijanye n'amahoro n'umutekano, nta n'umwe yemerewe kubidurumbanya, dutegerezwa kuguma tubumbatiye ubumwe bwacu n'ubwo twoba dufise ivyiyumviro bitandukanye; tukamenya ko igihambaye kuruta ari uko twese turi beneburundi.

12. Muri rusangi Abarundi baramaze kumenyera amatora, basigaye bazi gutandukanya icatsi n'ururo. Ababakeneye babasanga ku kivi bagakorana, mukaganira imbonankubone bakibonera ko hari ico uzobatambutsa, bagaheza bagashira ku munzani abaje babagana, maze bagahitamwo ikiruta ikindi.

13. Imbere yo gusozera, turateye intege umugwi ujejwe gutunganya amatora mu gihugu cacu. Reta y'Uburundi ikaba izoronsa uwo mugwi uburyo buzoba bukenewe, kugira ngo hategurwe, hongere hatunganywe amatora meza, amatora azotsimbataza demokarasi yo soko y'uburongozi bwiza, buzoshikana Uburundi kw'ihangiro bwihaye ry'igihugu cifashe mu mwaka wa **2040**, igihugu giteye imbere mu mwaka w'**2060**.

14. Benegihugu, amatora ni ikimenyetso c'ubutegetsi bwubahiriza demokarasi; muze rero tuyitegurire neza, tuyagire ayagaragaza igihugu ciyemeje kugendera demokarasi, amahoro, ubumwe n'iterambere rirama.

15. Mu ncamake, inyigisho zanje, ari zo n'umugwi CENI uzoshimikirako, zisaba Abarundi bose kuzokwitabira amatora mu mahoro, kwubahiriza amategeko no kwirinda ibikorwa vyose vyohungabanya demokarasi.

Akaba kandi ari kuri aya majambo nsozereyeko, ntangaza icese iyugururwa ry'inyigisho z'ingendo ibereye izoranga Abarundi mu kwitegurira itora ry'Umukuru w'igihugu ritegekanijwe mu mwaka wa 2027.

**Imana ibahezagire, yongere izigame Uburundi bwacu**

**Murakoze**